*Mukakaro 2023* *kirundi*

# Tega amatwi neza!

**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

**Uwufise amatwi y'ukwumva ni yumve!**
(*Mariko 4,9*)

Bakunzi ba go4peace,

Kumenya kwumviriza neza, ni ubuhinga bukomeye, ata mahera yobaho yo kubugura. Na cane cane iyo mu ubuzima hari ibitugoye, bidutera imyitwarariko myinshi, aho turakenera umuntu atuba hafi, atwumviriza kandi adutegera. Niho rero ivyo gushika ubu twahaga amatama, vyari mu vyiyumviro gusa, duca tubishira mu majambo. Turaheza tugatomora neza ikitubakiye. Bica rero bironka umuco, ntibibe bikitubereye umutwaro. Hari aho uwo atwumviriza atubaza, agatohoza neza kugira ategere, abone kuvyinjiza mu ndiba y'umutima wiwe. Yezu yari yaramenyesheje abigiswa biwe ingene ubwami bw'Imana bwoshinga imizi neza mu bantu, igihe duteze yompi Ijambo ryiwe kandi tukarireka rikanyengetera imitima yacu. Yari yarababwiye ati: „Uwuri n'amatwi yo kwumva ni yumve!“ Aho yari atumiriye umviriza mu gacerere ijwi ry'amajambo yiwe guca amukurikira.

Umusi umwe nariko mvugana n'umugenzi kw'iterefone, ndaheza ndategera ingene mu kazi kiwe gashasha amerewe nabi. Mu majambo yiwe hari hinyegejewo amaganya avanze n'umwiheburo. We ubwiwe ntako yashobora kubitorera umuti. Naribwiye nti : arakeneye umuvukanyi. Niho rero nafata umugambi wo kuja kumuraba. Rwari urugendo rw'ibirometero amajana icenda (900km). Ndahashitse, nditegereza inzu iraho ishaje yabwirizwa kubamwo. Igisenge c'iyo nzu carava, hasi naho huzuye urudavagi rw'ibintu bisanzaye, uri ububati, uri imeza, uri intebe. Naho hari hakanye cane. Umuyaga nawo wahuhutta winjirana mu madirisha. Ntihagira igikoni, ntaho kwogereza, nta mashini yo kwoza; vyose vyari bicafuye. Emwe vyanshize mu kajembegete. Wamenga biramugaje. Ivyo sinashobora kuvyihanganira. Twaciye dufata icayi gishushe, turaheza turayaga ingene twobitorera umuti. Twaciye durangura gutondeka ibintu. Umusi ukurikira turarondera ububati bw'aho akorera no mu cumba co kuryama. Haheze imisi ibiri dukora, ibintu vyari vyagiye mu buryo. Emwe igihe nataha amosozi yaradengera mu maso. Warakoze Meinolf, ubu ndafise koko muhira iwanje, aho niyumva koko. Ubu ndazi igikurikira nzoca nkora. Vyose bizoba vyiza. Warakoze cane, kubona waraje“! - **Tega amatwi neza!**

Ku bwa go4peace-Team Meinolf Wacker